Sénat

INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

GISOHOKA RIMWE MU KWEZI N°078 Gitugutu 2014

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yaruguruye ibikorwa vy'isasa rya Gitugutu 2014

Mu birori vyo kwugurura ibikorwa vy'isasa rya Gitugutu, kw'igenekerezo rya 6 gitugutu 2014, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yashikirije ko ico kiringo ciharijwe cane cane kwigwa no gutora integuro y'itegeko rigenga amafaranga Reta izokoresha mu mwaka w'2015.

Yarashimiye cane abasanzwe bafasha mw'irangurwa ry'imigambi Inama Nkenguzamateka ijejwe, ivyo bikaba vyatumye urwo rwego rubandanya rutera imbere mu gutsimbataza demokarasi n'intwaro ibereye. Ati: ''Imfashanyo z'abafasha Uburundi zirakenewe cane muri ibi biringo vyo kwitegurira amatora yo mu 2015''.

Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana ashikiriza ijambo ryo kwugurura ibikorwa vy'isasa rya Gitugutu 2014

Ku vyerekeye integuro z'amategeko zitegekanijwe, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yavuze ko urwego arongoye ruzokwiga integuro z'amategeko zishika 16 hamwe n'igitabu cerekana ikoreshwa ry'amafaranga *(Document d'Orientation Budgétaire*) yo kuva mu 2015 gushika mu 2017.

Mu bijanye no kugenzura ibikorwa vya Reta, Nyakwubahwa Ntisezerana yashikirije ko Inama Nkenguzamateka izobandanya itumako abaserukira Reta kwishura ibibazo vy'abakenguzamateka, mu gushikiriza ivyegeranyo hamwe n'ibiganiro n'abenegihugu.

Yamenyesheje kandi ko biciye mu nzira yo gushikiriza ibibazo bitandukanye abari muri Reta no guhanahana ivyiyumviro, abenegihugu bazoronswa umuco ku bibazo bitandukanye vy'igihugu, habone gufatwa ingingo zibereye.

Yongeye ashikiriza ko abakenguzamateka bafise uruhara ntangere rwo guserukira abenegihugu, ari naco gituma mu kiringo c'isasa rya Gitugutu bazotunganya inama nyinshi n'abatowe mu nzego z'intango mu ntumbero yo guterera mu gutsimbataza amahoro n'umutekano.

Abakenguzamateka bumviriza ijambo ryo kwugurura isasa rya Gitugutu

Ngw'ivyo gutunganya inama birafise akamaro kanini kuko ari akaryo ko guhanahana ivyiyumviro mu mw'isanzuro ku bibazo vyose vyerekeye amakomine hamwe n'ivyo ku rwego rw'igihugu. Ngo birafasha kandi kugira uruhara mu gutunganya neza ivy'umutekano hashizwe mu ngiro iciyumviro c'umugambi w'igiporisi cegereye abenegihugu.

Ati: "Amahoro n'umutekano bibwirizwa kubungabungwa kuko ari vyo nkingi y'iterambere rirama''. Ivyo yabishikirije mu gihe hibonekeza inyifato zitabereye, ku buryo ata gikozwe vyobera intambamyi iterambere n'imibano.

Yaciye atanga uburorero ku vyerekeye imvugo zitabereye z'abanyeporitike bamwe bamwe, ingeso y'ubunebwe,

ibinyoma, ububisha butandukanye n'ibindi bikunda kwibonekeza iyo ibiringo vy'amatora vyimirije. Nyakwubahwa Ntisezerana ntiyibagiye gushima inyifato nziza z'abenegihugu kuko baguma barikanuye kandi badatirimutswa n'abafise intumbero yo kubacanishamwo canke kubagumura.

Yarongeye aributsa ko bimwe mu bifasha gukomeza amahoro n'umutekano mu gihugu ari ugutunganya amatora arimwo bose, atekanye, yisanzuye kandi abera ku mugaragaro. Yaciye ahamagarira abenegihugu bose kuyitegurira neza no kuzoyitabira ku bwinshi.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarangije atera akamo amakungu gufasha hakiri kare mw'itunganywa ry'amatora no kurungika abarorerezi mu gihugu cose.

Benoît Ngendakumana

Abenegihugu bahamagarirwa gukingira ibidukikije, kugwiza umwimbu no kubumbatira amahoro

Mu ngendo yagize mu ntara za Bubanza na Muramvya mu kwezi kwa Gitugutu 2014, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana yaribukije abenegihugu bo muri izo ntara

Nyakwubahwa Ntisezerana (i bubamfu) ashikiriza ijambo abitavye ibikorwa vyo gutera imbuto z'ibiti ku mutumba Nyamabere, ari kumwe n'umukenguzamateka Immaculée Ndabaneze (i buryo)

ko babwirizwa gutera ibiti vyinshi, kugwiza umwimbu no kubumbatira amahoro n'umutekano.

Igihe yagendera intara ya Bubanza kw'igenekerezo rya 12 Gitugutu 2014, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yaritavye ibikorwa vyo gutera imbuto z'ibiti mu matuta ku mutumba Nyamabere wo muri komine Mpanda.

Ivyo bikorwa birangiye, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarasiguriye abari bavyitavye ko inyuma yaho bigaragariye ko ibidukikije bibangamiwe mu ntara ya Bubanza, abenegihugu bose basabwa gusubiriza ibiti vyaciwe.

Yamenyesheje ko mu ntara yose ya Bubanza hategekanijwe kuzoterwa ibiti bingana n'imiriyoni zitanu.

Yahanuye abenegihugu bo muri komine Mpanda gukunda ibikorwa, kubumbatira amahoro n'umutekano no kwitegurira amatora yimirije bafatanye mu nda.

Impanuro nk'izo, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarazihaye abenegihugu bo ku mutumba Camumandu wo muri komine Rutegama yo mu ntara ya Muramvya arangije ibikorwa vyo kuvanga no gusiga isima ibirasi vy'ishure ryisumbuye ryo kuri uwo mutumba.

Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, yaribukije kandi abenegihugu baba muri iyo komine ko bokwitaba akamo k'Umukuru w'Igihugu ko guteza imbere igiterwa c'ikawa, yongera abahimiriza kurondera vuba ikarata karangamuntu izotuma biyandikisha bakongera bakitaba amatora yimirije.

Uva i buryo: umushikirtanganji w'umutekano, Gabriel Nizigama; Buramatari w'intara ya Muramvya, Daphrose Ntwengambabaye n'umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana

Apollinaire Ruhanga

Inama Nkenguzamateka yaremeje imfashanyo yababa imiriyaridi 200 z'amafaranga y'amarundi azofasha mw'iterambere n'imibano

Kw'igenekerezo rya 24 Gitugutu 2014, Inama Nkenguzamateka yaremeje integuro z'amasezerano zerekeye imfashanyo Uburundi buzoronswa izofasha kwubaka ingomero z'umuyagankuba no kurangura umugambi wo gukinga no kurwanya amabi akorerwa abigeme n'abakenyezi mu karere k'ibihugu vyo mu biyaga binini.

Côme Manirakiza, umushikiranganji w'ubutare n'agataka, asigura ibijanye n'iyo nteguro y'imfashanyo

Mu nteguro ya mbere abakenguzamateka bemeje, Uburundi buzoronswa imfashanyo y'amafaranga y'amarundi angana n'imiriyaridi 165 bwahawe n'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere kugira hubakwe ingomero z'umuyagankuba ku nzuzi Jiji na Murembwe.

Abakenguzamateka baremeje kandi integuro y'amasezerano azotuma Uburundi buzoronswa imfashanyo y'amafaranga y'amarundi yababa imiriyaridi 25 yo kurangura umugambi wo gukinga no kurwanya amabi akorerwa abigeme n'abakenyezi mu karere k'ibihugu vyo mu biyaga binini. Iyo mfashanyo izokwunganira ibisata vyari bisanzwe bifasha mu gutuza amabi afatiye ku gitsina.

Clotilde Niragira, umushikiranganji ajewe ugufatana mu nda n'agateka ka zina muntu, asigurira abakenguzamateka ibijanye n'iyo nteguro

Umushikiranganji w'ikigega ca Reta, Tabu Abdallah Manirakiza, asigura iverekeye iyo nteguro

Hazoshingwa kandi n'ibigo mu ntara za Muyinga, Bururi na Cibitoke kugira ngo abakubaguwe bumvirizwe bongere bafashwe.

Iyindi nteguro yemejwe yerekeye amasezerano Reta y'Uburundi yagiraniye na Reta y'igihugu ca Emirats Arabes-Unis ku bijanye no kwunguruza abantu n'ibintu mu kirere.

Ayo masezerano azotuma ingenzi zoroherezwa mu kwiyunguruza n'indege, mu rudandazwa, ubutunzi na bwo butere imbere.

Clotilde Kampimbare

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yaragendeye igihugu c'Ubuganda

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Gabriel Ntisezerana, aserukiye Umukuru w'Igihugu c'Uburundi Nyenicubahiro Petero Nkurunziza, yaritavye kw'igenekerezo ry'09 Gitugutu 2014, i Kampala mu gihugu c'Ubuganda, ibirori vyo kwigina imyaka 52 irangiye ico gihugu kironse intahe y'ukwikukira.

Muri ivyo birori, Umukuru w'igihugu c'Ubuganda, Nyenicubahiro Kaguta Yoweli Museveni, yarashimiye abakuru b'ibihugu vyo mu muryango wa Afrika y'ubuseruko, umukuru w'igihugu ca Sudani y'Epfo n'abandi batumire bahire bari bitavye ubutumire bw'ivyo birori.

Benoît Ngendakumana

Abashingamateka ba Buraya basabwa kuza barishikira mu Burundi gutohoza ukuri ku vyo bumva

Inyuma y'inama yahuje abashingamateka bo mu bihugu vya Buraya i Strasburg kw'igenekerezo rya 18 Nyakanga 2014, aho basavye Reta y'Uburundi gukurikiza amasezerano yateyeko umukono y'i Cotonou mu bijanye n'ukwubahiriza agateka ka zina muntu, abo bashingamateka ba Buraya basabwa kwumviriza abantu batandukanye imbere yo gufata ingingo zerekeye igihugu c'Uburundi.

Gabriel Ntisezerana na Pie Ntavyohanyuma, Umukuru w'Inama Nshingamateka

Mw'itangazo ryo kw'igenekerezo rya 16 Gitugutu 2014 ryateweko igikumu n'abarongoye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi, Ba Nyakwubahwa Pie Ntavyohanyuma na Gabriel Ntisezerana, bamenyesha ko agateka ka zina muntu kifashe neza mu Burundi naho rimwe na rimwe hibonekeza utunenge tuvanye n'ibihe vy'intambara igihugu caciyemwo.

Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka ziremeza ko mu gihugu c'Uburundi ata nzu iriko irasha kuko agateka ka zina muntu n'ubwigenge bwo gushikiriza ivyiyumviro vyubahirijwe ku rugero rushimishije. Iryo tangazo rirerekana ko ubwigenge bwo gushikiriza ivyiyumviro mu Burundi bubonekera ku bwinshi bw'imigambwe igera ku 45, insamirizi, imboneshakure hamwe n'ibimenyeshamakuru vyigenga birwiriye cane mu Burundi hamwe n'amashirahamwe adaharanira inyungu za poritike mu Burundi abandanya kugwira ku rugero runini kandi ashikiriza ivyiyumviro yisanzuye.

Muri iryo tangazo barerekanye kandi ko Reta y'Uburundi yashize igikumu ku masezerano mpuzamakungu menshi atandukanye yo kwubahiriza agateka ka zina muntu, ndetse n'ingingo nyinshi z'Ibwirizwa Nshingiro kuva ku ya 19 gushika ku ya 61 zivuga ibijanye n'agateka ka zina muntu.

Iryo tangazo ryarereteste kandi abo bashingamateka ba Buraya ko Uburundi ari akarorero ku bindi bihugu kuko bwafashe iya mbere mu gushinga umurwi ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH) ndetse hakaba himirije no gutangunzwa umurwi uzoba ujejwe kumenya ukuri no kurekuriranira (CVR).

Nta Reta y'Uburundi rero yoba itubahiriza agateka ka zina muntu ngo yubahuke itumeko abanyaburaya ngo baze kare gukurikiranira hagufi amatora imbere y'uko aba, ariko araba, n'inyuma yayo. Nico gituma Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zisaba ko hokwamaho ibiganiro hagati y'Uburundi n'abasanzwe babufasha, kugira ibibazo vyokwaduka bishobore gutorerwa inyishu atawurenganijwe.

Ku makenga abo bashingamateka ba Buraya boba bafise, Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka vy'Uburundi bisaba ko abo bashingamateka boza barishikira mu Burundi, barondere ukuri ku bantu batandukanye kugira ngo ntibahave bahendwa na bamwe mu boba batipfuriza ineza igihugu c'Uburundi.

Ivyo vyotuma imigenderanire hagati y'ibihugu bigize Ubumwe bwa Buraya n'Uburundi iguma yifashe neza cane.

Apollinaire Ruhanga

Inama Nkenguzamateka

Uruganda rw'ikinyamakuru

Umukuru w'iyandikiro:
Apollinaire Ruhanga

Abanditsi:
Benoît Ngendakumana
Clotilde Kampimbare

Amasanamu:
Prosper Bizimana

Aho candikirwa:
SENAT, Tél.: (+257) 22 268055